Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Ibitangaza Yesu Yakoze



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Yesu yarakoze ibitangaza vyishi. Ibitangaza vyari ibimenyetso vyerekana ko Yesu yari umwana w'Imana. Igitangaza ca mbere yagikoreye munzimano yo mur'urubanza rw'ubukwe. Hari habaye ingorane. Umuvinyu wo kuzimana abatumire wari uheze wose.

Mariya, nyina wa Yesu, aca aragenda kuraba umuhungu wiwe amumenyesha ingorane ibaye. Maze aca abarira abasuku ko bokora ico Yesu azakubabwira cose.



“Mwuzuze iyo mibindi amazi,” Yesu arababwira. “Amazi?” Bashobora kuba baribajije gutyo. Ego, ntagukekeranya, Yesu yababwiye amazi.

Hanyuma, Yesu
asaba umwe mubasuku
kuzana umubindi umwe
k'uwari ajejwe inzimano
kugira ngo yumvirize.
Amazi yari yahindutse
umuvinyu! Umuvinyu
uryoshe!
Umuvinyu
uryoshe
gusumba
iyambere!

Abasuku baratangaye cane.
Yesu yari yahinduye amazi
umuvinyu. Imana yonyene
niyo yashobora gukora
ibitangaza nk'ibi.

Yesu yarakoze ibindi bitangaza. Umusi umwe k'umugoroba, Yesu n'abigishwa biwe bari bagiye mu nzu kwa Petero. Inabukwe wa Petero yari arwaye aremvye. Yari afise ubushuhe bwishi.

Yesu akoza ibiganza kuri uyu mugwayi. Aka kanya, aca arakira. Aca arahaguruka, akorera Yesu n'abigishwa biwe.



Uwo mugoroba, vyaraboneka ko igisagara cose cari cakoraniye k'umuryango w'inzu ya Petero. Abarwayi bari baje: Impumyi, abatumva, abafise ubumuga butandukanye. Hari hari n'abantu barimwo impwemu mbi. Mbega Yesu yarashobora gufasha abantu bangana gutyo?

Yesu, umwana w'Imana, yarashobora kubafasha bose. Yesu aca arabafasha. Abari baje kuri Yesu bose barakira. Abantu bari bamaze imyaka yabo yose bagendera kubibando, ako kanya barashobora gutambuka neza, bakiruka mbere bakanashobora gusimba kuko Yesu yabakijije.

Hari n'abandi bantu bari baje. Abari barononwe n'imibembe.



Inkovu zasizwe
n'imibembe
zibavako kuva
Yesu abakijije.

Abagabo n'abagore bababajwe n'amadayimoni bahagarara imbere ya Yesu. Ategeka amadayimoni kubavamwo.

Amadayimoni amaze kwumvira Yesu, abantu baterwa ubwoba kandi bagowe bahinduka abatekanye kandi banezerewe.

Inyuma y'iryo gugu ry'abantu, hari abantu bane bageragеza gufasha mugenzi wabo gushikira Yesu. Ariko kubw'abantu beshi, ntibashobora kumushikira. Mbega bari gukora iki?

Babagabo bane, bakurako ibisakazo ku nzu maze bacisha wamurwayi hejuru kunzu bamwururukiriza aho Yesu ari. Maze ako kanya, abona kwegera Yesu.



Yesu yari abonye ko aba bagabo bane bafise ukwizera. Aca abarira uwo mugwayi ati: "Ivyaha vyawe urabihariwe. Fata igitanda cawe ugende." Uwo muntu aca arahaguruka. Yari yakize kandi afise inguvu. Yesu yari yamaze kumukiza.

Haheze igihe gito, Yesu yari m'ubwato arikumwe n'abigishwa biwe. Igihuhusi giteye ubwoba gihuhuta mukiyaga.
Yesu yari asinziriye.
Abigishwa biwe bagize ubwoba baca baramukangura.
Bavuza induru:
"Mwami, dukize!
Turapfuye!"



“Cereza,” Yesu ategeka imipfunda. Ubwo nyene, ikiyaga gica kiratekana. “Uyu ni umuntu ki?” abigishwa biwe baribaza. “Umuyaga n’ikiyaga biramwumvira!” Baciye bizera ko Yesu ari umwana w’Imana kuko ibitangaza yakoze vyemeza ubwiza bwiwe. Abigishwa biwe ntibari bazi ko bazosubira kubona



Yesu akora ibindi bitangaza bihambaye kurusha ivyo bari bariboneye igihe yakorera Imana mubantu.



Ibitangaza Yesu Yakoze

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 8-9, Mariko 1-2, Mariko 4,
Luka 8, Yohana 2

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco,
guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

40



60

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16